IKIGANIRO UMUMENYESHAMAKURU VINCENT NDIHOKUBWAYO, YAGIRANYE NA COLONEL PIERRE-CLAVER KABIRIGI, ARONGOYE UMUHARI FRD-ABANYAGIHUGU KUR'UYU WA GATANDATU IGENEKEREZO RYA 11/02/2012.

Ahanini, ico kiganiro cashimikiye ku kwerekana aho FRD-ABANYAGIHUGU ihagaze ku bijanye n'ikete inama nkuru y'Abepiskopi ba Katolika baherutse gushikiriza abarundi mu mpera z'umwaka waraye urangiye. Yarongeye arishura no ku bindi bibazo bihanze igihugu cacu muri kino gihe.

Q1 : Colonel KABIRIGI n'amahoro ?
R1: Yova hehe ko abarundi benshi atayo bafise! Barara ntibuca n'umukanda mu nda abandi bakaba barara mu myonga batinya kwicwa canke gupfungirwa ubusa n'ubutegetsi.

Q2 : Abarundi benshi barashatse kumenya aho umuhari murongoye uhagaze kubijanye n'Ijambo Abasenyeri b'Ekleziya Katolika bashikirije abarundi mu mpera z'umwaka w'i 2011. Twomenya igituma mwagumye mutanga umuhango wo kugira ico mubivugako ariko ubu mukaba ataco murashikiriza ?
R2 : Ivyo Abasenyeri Katolika bashikirije narabikurikiranye, eka n'urwandiko narashoboye kururonka. Ku bwanje, ivyiyumviro vyinshi birimwo, ahanini nivyo twashikirije mwumvise canke mwasomye muri Memorandum twashikirije kw'igenekerezo rya 22/11/2011, igihe twatangaza icese umuhari turongoye. Ntitwanse kugira ico turivuzeko, vyatewe n'uko twari dufatiriwe n'ayandi mabanga, kandi kuvugaguzwa ntitubikunda kuko uca umengo turiko twiyamamaza.

Q3 : Barahanuye ubutegetsi n'abatavuga rumwe nabwo, bongera batera ivyatsi inzira mwafashe yo gufata ibirwanisho. Ivyo mwavyakiriye gute ?
R3 : Abasenyeri Katolika ndabubaha kandi muribo harimwo abandeze banyigishije mw'iseminari. Nubwo muri rusangi, ijambo ryabo Basenyeri ryahanura neza, sinoreka kuvuga ko harimwo utunenge.

Q4 : Utunenge twarimwo ni utuhe ?
R4 : Muri iryo jambo, Abepiskopi katolika berekanye ko umengo ingorane mu Burundi zatanguye inyuma y'amatora nk'uko abo muri ADC-IKIBIRI babivuga. Ariko siko biri. Mwibukeko kubijanye na demokarasi, ibintu vyayangaye imbere y'amatora :

- Baribagiye ko **FRODEBU-NYAKURI** ari ishami ubutegetsi bwahanyuye ku mugambwe SAHWANYA-FRODEBU, washinzwe n'Umuhisi Melchior NDADAYE.
- Baribagiye kandi ko **FNL-Iragirya GAHUTU** Rémy wa Jacques KENESE ari ishami ryahanyuwe n'ubwo butegetsi nyene k'umugambwe FNL wateye igikumu ku masezerano yo guhagarika intambara ; uwo nawo ukaba urongowe na Agathon RWASA, n'ubwo hari ayandi manyanga ubutegetsi bwakoze. Ako kajagari kakozwe imbere y'amatora kandi kakaba kari kabangikanywe n'ayandi marementanya. Ivyo vyaraburabuje imigambwe biyibuza kugirisha amanama yo kwitegurira amatora.

Q5 : Ayo marementanya ni ayahe ?
R5: Ayo marementanya ni nk'arya mwumvise ngo hatowe ibirwanisho hirya no hino. Nari intwazangabo mu gipolisi ndazi ingene vyategurwa kugirango bishobotse RWASA afatwe, apfungwe, ntaje mu matora kuko umugambwe uri ku butegetsi wamutinya. N'abanywanyi b'iyindi migambwe ikomeye nka MSD na UPD baragiriwe amarementanya atari make. Izo ni zimwe mu ngorane zabaye imbere y'amatora. Uwozivuga zose ryorinda rirenga ataraziheza. Abasenyeri ba Katolika nobibutsa ko izo ngorane zitatanguye inyuma y'amatora kandi bibuke neza ko twayagiyemwo habanje gutegurwa ibwirizwa riyagenga rihushanye n'ibwirizwa nshingiro.

Q6: Werekanye akarigangamuhogo kur'iryo jambo, ariko ntiwadushikiye kungingo y'aho muhagaze kubijanye n'ibiganiro, eka mbere n'imvugo yogutera ivyatsi ingwano?
R6: Ariko murantangaza! Petero NKURUNZIZA arababwira ntimwumva. Ku bwicanyi bugirwa n'ubutegetsi bwiwe, hagize abamutaka ababwira ngo nakera barapfa, wanashaka ngo no muri Amerika, Africa y'Epfo n'ahandi barapfa.

Kubijanye n'ibiganiro, yarababwiye ko, abavyipfuza, naho bokinda bagaramye bitazoba. None ndakubaze ko avuga ko atabiganiro bizoba kandi abantu bariko barapfa, bamwe bapfungwa abandi bakangazwa, ushaka twese dute twomoke? **Ivyo nivyo twanse!** Twanse ko mu kugira tubeho tubanza gukoma amashi kandi mu bisanzwe ari uburenganzira bwa buri wese, nk'uko biri mw'ibwirizwa nshingiro no mu yandi mategeko mpuzamakungu, Uburundi bwateye ko igikumu. Baba abo Bepiskopi canke abandi bose, eka na wewe nyene urimwo, mumenye ko Petero NKURUNZIZA akoresheje "**Imbonerakure**" zinyegeje mu basubijwe mu buzima busanzwe hamwe na bamwe mu gipolisi c'igihugu n'icipererezza, nibo batanguye ingwano yo kwica abatavuga rumwe n'ubutegetsi. Ntawutabizi! Uretse amarira ya bene kubura ababo, ibinyamakuru n'amashirahamwe ataho yegamiye muvya politike barasemereye bihagije n'ubu bakaba bakiriko. Ntidushigikiye indwano ariko dutegerezwa kwikingira no kugira ijambo ata kujugumira. **INGABO** za **FRD-ABANYAGIHUGU**, sizozitera intambara. Abo Basenyeri nibavyumve kandi bamenye ko Petero NKURUNZIZA ariwe afise urupfunguruzo rw'akajagari be n'urwumutekano. **INTWARI**, n'**INGABO** mu **NTWARI** za **FRD-ABANYAGIHUGU**, hamwe hoba ibiganiro bidakumira twobishigikira. Twobamenyesha ko twese twatahuye ko Petero NKURUNZIZA ata biganiro azopfa yemeye. Tugatangazwa n'ingene mutabitahura ngo muheze mufashe kurondera iyindi nzira ishika yokwunganira. Ahacu tukibaza ko inzira mwokunganira yoba nk'iyi turimwo canke iyosa nayo, maze utwigoro twose tugakoreshwa. Ahandi hoho, abarundi bazoguma babura ababo batabagaraguye, bongere bangazwe, bapfungwe ataco bazira. Ikitibagiwe coco, n'ubutunzi bw'igihugu cabo, bwoguma busesagurwa bukongera bugasahurwa barorera.

Q7: Hame vyoshika, INTWARI za FRD-ABANYAGIHUGU zigatumirwa mu biganiro zovyitaba?

R7: Zoganira na nde canke n'ubuhe butegetsi? Imvugo ya Petero NKURUNZIZA twaramaze kuyitahura. Si umunyamahoro namba ! Abarundi bategerezwa kwirwanako. N'igituma Uburundi bugihema n'agato, n'uko benshi batamuyoboka, mu gukorera ikibi benewabo. Akagwi nako akoresha, bitebe bitebuke aho bukera, abarundi bazogatuza. Igikuru n'uko baguma baremye kandi bafatanye mu nda. Abepiskopi nabo turabashimiye ku kigoro kabo ko guhanura. Ku bitwerekeye, tuzokora ibishoboka, tubandikire tubamenyeshe aho duhagaze. Kubijanye n'ivyo biganiro, twomenyesha ko k'uruhande rwa Reta, inama nkuru y'Abepiskopi isa n'iyiriko iravomera urutandara rw'ibuye.

Q8 : Urakoze kugira ico ushikirije kubijanye n'ijambo ry'inama nkuru y'Abepiskopi ba Katolika. Umwanya ukinyumviriza, wotumenyesha imigenderanire ufitaniye n'imigambwe iri mu runani ADC-IKIBIRI ?

R8 : Ugarutse hahandi nyene ! Ntamigenderanire dufitaniye n'iyo migambwe kuko ahacu, ikoresha akarimi gusa. Ako nako tukabona ko katazokwigera gahagarika ubwicanyi buri mu gihugu, ntikazobuza abarundi batari bake kwomorwa mu gihugu cabibarutse. Si nako kazotuma abanyepolitike bahunze igihugu batahuka hamwe n'izindi mpunzi, si nako kazotuma imigambwe ireka gusamburwa canke ibuzwe gukora. Abo muri ADC-IKIBIRI, mu kurindira no kwizera ibiganiro, bameze nk'ibuguma yibaza ko ikiri imvyeyi, ikarindira ko izovyara amaso akazohera mu nzira.

Q9 : Naho uvuze uko, hari icegeranyo ca ONU cemeza ko Alexis SINDUHIJE umukuru wa MSD, Pascaline KAMPAYANO wa UPD-ZIGAMIBANGA, Pancrace CIMPAYE wa SAHWANYA-FRODEBU, Léonard NYANGOMA arongoye CNDD, RWASA Agathon arongoye FNL n'abandi, bakorana n'imigwi yitwaje ibirwanisho kandi ngo hakaba harabaye inama yo gukorera hamwe, yarimwo abarongoye ADC-IKIBIRI. Agathon RWASA nawe akavugwa muri iyo raporo ko hari abamubonye aherekeje ibipfungurwa vy'abarwanyi. Ivyovyo ubivugako iki ?
R9: Iyo raporo narayisomye. Eka na bamwe muri abo banyepolitike bavugwamwo, narumvise basigura kuri radio BONESHA FM, (aha novuga nka Pascaline KAMPAYANO na Pancrace CIMPAYE) biyamiriza ibirimwo. Ku bwabo, iyo nama ivugwa ntayigeze iba. Noneho RWASA Agathon na Alexis SINDUHIJE nabo nyene baranditse biyamiriza ivyo binyoma. Ico womenya, n'uko icegeranyo c'amaraporo gitandukanye n'ingingo ONU ifata. Zirya n'iraporo iperereza ry'Uburundi ryandendekeranije igihe abakozi baryo babonana n'abahinga bigenga ba ONU; ivyo navyo n'ibisanzwe. Handitswe ko abarongoye ADC-IKIBIRI bitavye iyo nama ariko narumvise Léonce NGENDAKUMANA umukuru wa ADC-IKIBIRI avugira kuri RPA mu kiganiro "**kabizi"** ko ari ibinyoma. Yaritanzeko akarorero yemeza ko atigeze ava mu gihugu kandi ntawamuhinyuje. Birya ni ibinyoma vya Reta ya Petero NKURUNZIZA. Wewe ashaka ko amakungu amufasha gutuza abanyepolitike yipfuza kwikurako. Kuri we akabona ko ababayoboka baca basigara ari impehe nsa z'abanyagihugu yokwegera ku nguvu mu mugambwe wiwe ashaka ko ukora wonyene atawundi w'ijunja bo higanwa mu gihugu. Ikindi kinyoma kiri muri ico cegeranyo, n'uko havuzwe imigwi irwana yitavye iyo nama. Menya ko atarivyo kuko FRD-ABANYAGIHUGU ntiyoba irimwo ntitubimenye ? Ntitwigeze tuyitumirwamwo, eka ndetse ntitwigeze tuyimenyeshwa. Menya ko iyo nama itigeze ibaho.

Q 10: Ubona amatora yo muri 2015 azoba?
R10: N'ubwo hakiri kare rwose, Petero NKURUNZIZA yarakoze ibishoboka vyose kugira atware mu ndyane nka kumwe kwa Laurent BAGBO yahoze atwara

Côte d'Ivoire. Urazi ko mu kurwanya abo batavuga rumwe nka WATARA yamwise umunyamahanga. Nico kimwe na Petero NKURUNZIZA usanga nawe akoresha urwego rw'ubutungane, na rirya yagwihagiye akarwaka ubwigenge kugira abashe kurukoresha mu gutuza abatavuga rumwe nawe boja muri ayo matora muvuga. Kuri ivyo, abanyepolitike bari bagifyina nibarabire kw'itegurwa n'ifatwa rya Alexis SINDUHIJE. Ndibaza ko vyabahumuye. Amatora azotegerezwa kuba ari uko abanyepolitike bahunze batahutse. Bigasigura ko ubwicanyi bwoba bwarahagaze, abapfungiwe ivya politike bidengemvya, imigambwe yose n'iyitavuga rumwe n'ubutegetsi ikora ukuri kwamye. Kugira amatora abe, inzira ni zibiri:

- Ubwa mbere, ategerezwa gutegurwa abazoyitaba bose babanje kuja inama. Ivyo navyo, Petero NKURUNZIZA ntazopfa avyemeye;
- Ubwa kabiri, n'uko ayo matora yotegurwa, wewe atakiri ku butegetsi. Hamwe ariwe yoyategura na NYAKURI ziwe z'imigambwe, ntiyoba ari amatora. Yoronderwa irindi zina, ariko twizere ko bitazogenda uko. Amatwi adusumira, abamwegereye bavuga ko agomba guhindura Ibwirizwa Nshingiro kugira ashobore kwitoza ubugira gatatu yitwaje ko mu biringo bibiri bizoba biheze, icambere kitarimwo kuko yari transition ibandanya. Mwibuke indyane ingingo nk'iyo yama ikwega mu bindi bihugu.

Q11: Wacishijemwo ivy'ifatwa rya Alexis SINDUHIJE. Wavyakiriye gute?
R11: S'ifatwa ryiwe gusa, ndagira n'ico nshikirije no kw'irekurwa ryiwe be n'itegurwa rya karya kabi kabishe ubutegetsi bwa Petero NKURUNZIZA bwakoze. Narababajwe n'ifatwa ryiwe kuko, mu ntango nabonye umengo ingwara ya Petero NKURUNZIZA yoba yaramaze kwandukira Président KIKWETE wa Tanzania. Nkagira ubwoba ko yoba yaramaze kuyandukiza akarere kose. Irekurwa ryiwe n'iryo ryerekanye ijunja ry'ubutungane bwa Tanzania, ryongera riraduhumuriza. Nayo kubijanye n'integuro yifatwa ryiwe, ubutegetsi bwa Petero NKURUNZIZA bwagaragaje ubukozi bw'ikibi buburanga kubatari babuzi. Twebwe twaravuga ngo "**tera iyo sema**". Ubu abarundi bose aho bari baraye bavyiboneye. S'ukubibona gusa, twibaza ko umwe wese agiye kugira ico aterereye kugira ubutegetsi bwa Petero NKURUNZIZA buteshwe bute, ababuhagarariye basubizwe mu kibanza kibabereye, kitogira ico cononera abarundi.

Q12: Hari urukurukuru rwigeze kuvugwa ko Colonel KABIRIGI yishwe kandi ko n'abarwanyi biwe baheze. Vyoba vyavuye hehe?
R12: Nibaza ko umbona kandi ko utariko uravugana n'umuzimu. Ico gihuha cadumishijwe n'ubutegetsi bwa Petero NKURUNZIZA. Narumvise n'umunyagihugu abibaza umunyamakuru Serges NIYIBIZI mu kiganiro "**kabizi"**. Jewe nararwaniye Demokarasi mu **ntagoheka za FDD**. Abari barongoye

urugamba ncinjira, sibo bari bakiri mu burongozi bwarwo igihe intambara yahagarara. Benshi barapfuye nk'abitwa ba NGURUBE Melchiade n'abandi bari bafise ijunja. Ariko urugamba rwarabandanije. KABIRIGI aguye k'urugamba, nticobuza ko rubandanya. Urugamba s'urwa KABIRIGI, n'urwabanyagihugu. Naho nopfa, hoba hapfuye KABIRIGI, ba KABIRIGI muri uru rugamba rwa FRD-ABANYAGIHUGU boba basigaye. Kira noneho Imana iracanzigamye. Aho bavuga ko batumaze, n'ukwiremarema kuko ndazi neza ko nabo nyene batemera ivyo bavuga. Narabibonye kuri "**site internet"** y'ipierereza yiyitirira ikinyamakuru "**NYABUSORONGO**" aho umukozi w'ipierereza yitwa SHINGIRO Albert yama ashirako amakuru ba shebuja bamuha. Kira noneho ku bijanye n'uko **INGABO Z'ABANYAGIHUGU** zihagaze, bamwe wabiboneye hano, n'ahandi bari n'uku nyene, bameze neza. Ngira ngo hazoboneka akaryo ko kuvugana ibijanye n'urugamba. Uno munsi, wari uhariwe ibijanye n'impanuro ziri mw'ijambo ry'inama nkuru y'Abepiskopi ba Katolika. Nibaza ko twogeza ngaha kuko urabona ko nacereje abandi ku gakorwa twariko.

Q13: Murakoze ariko munkundiye mwonyishura kuri utu tubazo tubiri gusa?
R13: Jako ariko ukubite ubangura.

Q14: Urakoze! Nashaka utumenyeshe imigenderanire mwoba mufitaniye na Hassan RUVAKUKI, umumenyeshamakuru wa Radio BONESHA FM n'iradio y'abafaransa RFI. Ipfungwa ryiwe urivuga ko iki?
R14: Hassan RUVAKUKI namubonye rimwe gusa aje kurondera amakuru nk'uko bisanzwe no kubandi bamenyeshamakuru batandukanye bama badusaba amakuru. Icantangaje kandi kikintangaza, n'uko abo bamenyeshamakuru bama batinya kuyashikiriza. Nayo ipfungwa ryiwe, ndarifata co kimwe na kurya bagenziwe mu misi iheze, haba hagati mu gihugu canke i Bujumbura, batasiba kurengutswa agasakisaki mu butungane. Kenshi batumwako kumvo zidatomoye namba canke rikaba ari irementanya babagiriye kugira ngo ubutegetsi bubatere ubwoba banume ntibongere kwubahuka kuvuga icocose budashaka ko kimenyekana. Ubutegetsi bushaka havugwe ivyabwo gusa kandi vyiza. Kubibazo Hassan RUVAKUKI yambajije, nabonye umengo ahengamiye kuri Reta canke ko ariyo yari yamutumye. Wanashaka ntivyanavuzwe mu ma radio akorera. Bukeye twaratangaye twumvise yafashwe. Ikindi nobamenyesha n'uko twirinze kumwakirira ahari imirwano kuko iyo atugwako, ubwo butegetsi bwari kumutwegeka ko bikadutera ingorane mu bamenyeshamakuru bagenziwe bo hagati no hanze y'igihugu. Wamengo ashaka guhinyuza ko tutabaho. Hari n'abandi bama baza (baba abamenyeshamakuru canke abandi), bikaboneka ko ata kindi kibagenza. Na cane cane ko ubutegetsi bwari bumaze iminsi bwivugira ko

tutabaho, ngo turi imigwi y'abasuma. Akaba yariboneye ko turi abarwanyi babushitse kandi baberewe n'umwambaro. Ubu ko batagishoboye kubinyegeza, batwita imugwi w'iterabwoba.

Q15: Wavuze ko wagwanye muri FDD ariko benshi bakavuga ko uri umu FNL. Ubiha iyihe nsiguro?

R15: Kuvuga ko ndi umu FNL ntibihenda. Naho natanguriye muri FDD, urugamba ruhagaze, hari abatashimye inyifato y'indongozi zitari nke za FDD yo kugira nkunzi mu gutanga amapete. Baciye bigira muri PALIPEHUTU-FNL ariko jewe nubwo narimbabaye nk'abandi, naremeye ndinjira mu gipolisi c'igihugu, ndagikorera mu ngorane nyinshi kuko tutahuza n'izo ndongozi. Aho FNL iziye, vyarunyutse ariko imbere y'aho nama mu nduru na bamwe bamwe mu ntwazangabo nkuru zahoze muri FDD, zashaka ko twese dutuza abatavuga rumwe na CNDD-FDD. Abavyemeye bakaba nkunzi, abavyanse nabo bakaba abansi. Ubwa mbere, nakorera mu Kirundo, mu nyuma bandungika mu ntara ya Bujumbura kubera ko imigambi igayitse yo kwica abo batavugarumwe yanse. Imbere yuko nja muri Bujumbura, nabanje kuja muri I.S.P. (Institut Supérieur de Police). Aho nankiye kubashigikira muri ubwo bwicanyi, niho baca bangirira irementanya baca banta muri yompi. Bankuye mw'ibohero bazi ngo ncandabagarukamwo, ahubwo ncandabigirwa kure, ncankorera amenya mu mugambwe FNL. Ubwicanyi burenze ihaniro bwadutse inyuma y'amatora. Urwaruka rwinshi rubuze isaganirizo rugafata ibirwanisho ngo rwikingire, naciye nifadikanya narwo maze kubona ko imigambwe imwe imwe yaburabujwe kandi ikaba itemera iyo nzira urwo rwaruka rwari rufashe. Ndi kumwe n'urwo rwaruka, niho twaca twigira imigambi yo gushinga **FRD-ABANYAGIHUGU**, umuhari wa politike na gisirikare utisunga ivyiyumviro vy'umugambwe n'umwe. N'umuhari wigenga, urwanya akajagari n'ikumirwa muri Demokarasi vyazanywe n'ubutegetsi bwa CNDD-FDD. Imigambi nyamukuru ya **FRD-ABANYAGIHUGU** twarayishikirije muri Memorandum twasohoye umunsi dutangaza icese ishingwa ryUmuhari wacu.

Q16: Nagomba ndabagore, mushikirize akajambo ka nyuma?

R16: Ehe raba ubusuma bwabaye ndanse mu gihugu; ibigega vyarogejwe; OBR iriko isongera isibe mu kununuza amaraso y'abanyagihugu mu kwaka amakori y'umurengera. Ubutare bw'igihugu bwobwo murabona ko bwabaye umwimbu w'akagwi k'abantu bari k'urushi. I Ngozi n'i Muyinga uzohasanga ama comptoirs y'inzahabu y'abanyamahanga aruta ayari i Bujumbura, agakorera mu gipfungu kimenywa na Petero NKURUNZIZA n'abiwe gusa. Ako niko kajagari kanyuma mvuze kugira abarundi bumve ko bakwiye guhaguruka tukarwanya ubwo

bunyonyezi co kimwe n'ubwicanyi usanga ubutungane burenzako uruho rw'amazi.
Mukurangiza, nagomba nongere ndemeshe abarundi, ndababwire ko Imana itabahevye. Twese dufatanye munda, tugasenyera k'umugozi umwe, nta nkeka umutwaro wa CNDD-FDD tuzowitura.

NDIHOKUBWAYE Vincent: Colonel KABIRIGI, urakoze cane k'umuco uduhaye!
Colonel KABIRIGI: Urakoze cane nawe!